**URWEGO RW'IGISATA CA RETA YA VERMONT KIJEJWE IBIKORWA BIJANYE N'AMAGARA Y'ABANTU**
**108 Cherry Street - Agasandugu ka Posita 70 Burlington, VT 05402-0070 Terefone: 802-6574220 / Fax: 802-657-4227**
**Umurongo wa Terefone utarihishwa iyo uhamagaye mu gihugu hagati muri Reta ya Vermont: 800-745-7371**
**Umurongo w'ubutumwa ku muhora ngurukanabumenyi: AHS.VDHMedicalBoard@vermont.gov**

# URUHUSHA RWO GUTANGA AMAKURU YO KWA MUGANGA

**KUBO BIRABA:**

**NDABAHAYE URUHUSHA** rwo guha igisata kijejwe amagara y'abantu muri Reta yaVermont, Urwego rukuru rujejwe ibikorwa vy'ubuvuzi, hamwe/canke abayiserukira bagenwe, hamwe n'ibiro vy'umwunganizi mukuru mu bijanye n'amategeko,impapuro zose zo kwa muganga hamwe n'amakuru yose bijanye, atanamwe asizwe inyuma, mu makuru mufise canke mugenzura yerekeye **umwana wanje**, mu buryo bwo kuvuga canke bwanditse (harimwo amakuru yatanzwe n'abandi baganga canke amavuriro,) yerekeye amagara ayo ariyo yose yo k'umubiri, imitsi yo mu mutwe, ingene abona canke yiyuvira ibintu canke ibishobisho; ugukomereka canke ingwara wigeze kwipimisha canke wigeze kuvurwa.

Gusa ku vyerekeye uru ruhusha mu kuyamenyesha igisata kijejwe amagara y'abantu muri Reta yaVermont, Urwego rukuru rujejwe ibikorwa vy'ubuvuzi, hamwe n'ibiro vy'umwunganizi mukuru mu bijanye n'amategeko, kandi atari ku zindi nvo, Nkaba mpevye ku bushake bwanje ivyerekeye ukugira ibanga amakuru hamwe/ canke uturusho utwo aritwo twose canke ubudahangagwa bugengwa n'itegeko rya reta zunze ubumwe, harimwo ibiri mw'itegeko rya 42 CFR, igice ca 2, kandi nkaba ndabahaye uburenganzira bwo kuyasangiza ata ngorane igisata kijejwe amagara y'abantu i Vermont, inama nkuru y'abaganga, hisunzwe ubusabe bwanje, kugira bihweze ibintu bimwe na bimwe ku vyerekeye ubuvuzi bwahawe **umwana wanje**.

**URU RUHUSHA**rurashobora guteshwa agaciro umwanya uwo ariwo wose kiretse igihe wamaze gufata ingingo wisunze uru ruhusha. Mu gihe rutateshejwe agaciro, uru ruhusha ruzoherana n'igikorwa canyuma, harimwo n'ingingo ya sentare, ku ngingo yafashwe n'inama nkuru y'abaganga ijanye n'aya makuru, canke, mu gihe ata ngingo nkiyo yafashwe, ruzota agaciro mu misi 365 uhereye igenekerezo rwatangiwe.

**MURAHAWE KANDI URUHUSHA RWO** kumenyesha amakuru, mu buryo bwo kuyavuga canke mu buryo bwanditse, muyashikiriza igisata kijejwe amagara y'abantu muri Reta ya Vermont ubwaco, Urwego rukuru rujejwe ibikorwa vy'ubuvuzi, canke abayiserukira bagenwe, hamwe no ku biro vy'umwunganizi mukuru, mu buryo buhoraho gushika uru ruhusha rutaye igihe canke ruteshejwe agaciro.

**FOTOKOPI Y'URU RUHUSHA YATEWEKO UMUKONO N'UWUJEJWE KURWEMEZA IZOSHOBORA GUKORESHWA MU MWANYA WARWO.**

__________________________________________ ______________
Izina ry'umwana (Mu ndome nkuru) Itariki y'amavuko

___________________________ _________________________________
Izina ry'umuvyeyi/umurezi (Mu ndome nkuru) (Igikumu) c'umuvyeyi/umurezi / Igenekerezo rya

_______________________________________________________________
Aderese y'iposita